Bibiliya y'Abana
Ishikirije

Pasika Ya Mbere

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Janie Forest; Alastair Paterson

Itunganywa na: Lyn Doerksen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Rémy Christian NTIRURIKURE

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2020 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Umugore yari ahagaze i ruhande y'umusozi uriko urwamo rwinshi, amaso yiwe yuzuye umubabaro arangamiza hejuru araba ibintu bibi cane biriko biraba.

Umuhungu wiwe yaragiye gupfa. Uyo nyina yari Mariya, araheza ahagarara hafi y'aho Yesu bariko bamuterako imisumari ku musaraba.

Mbega ibi vyose
vyashitse gute?
Mbega vyoshoboka
gute ngo
Yesu
arangize
ubu buzima
bwiza mu buryo
buteye ubwoba
nk'uko?

Mbega vyoshoboka gute ngw'Imana ireke Umwana Wayo ngo aterwe imisumari ku musaraba, habe ariho apfira?



Mbega Yesu
yoba yarakoze
ikosa mu
kumenya
uwo
Yari ari?
Mbega Imana
yarananiwe?

Oya! Imana ntiyananiwe. Yesu nta kosa na rimwe yakoze. Yesu yari azi ko azokwicwa n'abantu b'ikibi.

Ndetse igihe
Yesu yari
akiri akayoya,
umutama yitwa
Simiyoni yari
yabwiye Mariya
ati umubabaro
uri mu misi iri
mbere.

Imisi
mikeya
imbere yuko
Yesu yicwa,
umugore umwe
yaje asuka amavuta
y'igiciro ku birenge Vyiwe.

“Yononye amafaranga,” abigishwa ba Yesu baridodomba.
“Yakoze igikorwa ciza,” Yesu arababwira.
“Yabikoze kubw’amaziko yanje.” Mbega amajambo atangaje.

Inyuma y'ivyo, Yuda, umwe muri ba bigishwa cumi na babiri, yemera kugurisha Yesu ku baherezi bakuru ku giciro c'italanto 30 z'ifeza.

Ku musi mukuru wa Pasika y'Abayahudi, Yesu yariko arasangira imfungurwa za nyuma n'abigishwa Biwe.

arababwira ibintu bitangaje vyerekeye Imana hamwe n'amasezerano yayo kuri abo bayikunda. Hanyuma, Yesu arabaha umukate n'igikombe ngo basangire.

Ico cari ikimenyetso
co kubibutsa ko
umubiri n'amaraso
ya Yesu yari atanzwe
kugira azane
uguharirwa
ivyaha.

Hanyuma Yesu abwira abagenzi biwe ko aza kugurishwa, kandi ko baza guhunga. "Simpunga," Petero aravuga ashimitse.



“Imbere y’uko inkoko ibika, uzoba umaze kunyihakana incuro zitatu,” Yesu aramubwira.



Inyuma y'aho muri iryo joro nyene, Yesu aja gusenga mw' itongo ry'i Getsemani.

Abigishwa bari kumwe nawe bafatwa n'agatiro barasinzira. "O, Data," Yesu arasenga, "…. Reka kino gikombe kindengane.

Ariko,
ntibibe nk'uko
ndabishaka,
ariko bibe uko
ubishaka."

Ubwo nyene umugwi
w'abantu benshi baza muri
rya tongo, barongowe
na Yuda. Yesu
ntiyigwaniye,
ariko Petero
aca ugutwi
umugabo
umwe
muri abo.

Mu gacerere, Yesu atora kwa gutwi kwa wa mugabo agusubizako aba muzima. Yesu yari azi ko ifatwa Ryiwe ryari umuce w'ubugombe bw'Imana.

Uwo mugwi w'abantu utwara Yesu ku nzu y'umuherezi mukuru. Aho nyene, abakuru b'Abayuda bavuga ko Yesu ategerezwa gupfa.

Iruhande y'aho, Petero yari ahagaze hafi y'umuriro w'abakozi ariko araraba.
Incuro zitatu abantu bararaba Petero baca bavuga, "Wewe warikumwe na Yesu!"

Incuro zitatu Petero arabihakana,
nk'uko Yesu yari yabimubwiye.
Petero
aranavuma
yongera
ararahira.

Inkoko ica irabika

Ubwo nyene,
inkoko ica irabika.
Yabaye nk'ijwi
ry'Imana kuri Petero.
Yibutse amajambo ya
Yesu, Petero ararira
n'intimba nyinshi.

Yuda na we nyene
yarababaye. Yari azi
ko Yesu ata caha
canke ikibi icari
co cose yakoze.

Yuda asubiza za
talanto 30 z'ifeza,
ariko abaherezi
ntibazakira.

Yuda aterera ya
mafaranga hasi,
arasohoka-araheza
aja kwiyahura.

Abaherezi bazana
Yesu kwa Pilato,
umutware w'umuroma.
Pilato aravuga,
"Nta caha
mbona kuri
uyu Muntu."

Ariko ishengero
ry'abantu baguma
bashira ijwi
hejuru, bati:
"N' abambwe!
N' abambwe!"

Mu nyuma, Pilato aragondozwa, araheza acira Yesu urubanza rwo gupfa ku musaraba.

Abasoda barakubita
Yesu, baramucira
amate mu maso
Hiwe, kandi bongera
baramushishagura.

Bamukorera urugori rubi rw'amahwa asongoye cane, baraheza barufyondera ku mutwe Wiwe. Hanyuma, baramutera imisumari bamubamvye ku giti c'umusaraba ngo apfe.



Yesu wewe yarasanzwe azi ko
Azopfa muri ubwo buryo. Yarazi
kandi ko urupfu
Rwiwe ruzotanga
uguharirwa
ku banyavyaha
bazoshira
ukwizera
muri We.



Abambuzi babiri babambwe impande n'impande na Yesu. Umwe yizera Yesu araheza aja mw'i Paradizo. Uyundi ntiyagiyeyo.



Inyuma y'amasaha
y'umubabaro, Yesu
aravuga ati:
"birarangiye,"
aca arapfa.

Igikorwa Ciwe kiba kirarangutse. Abagenzi baramuhamba
mu mva y'umuntu yari yarikoreshereje.

Hanyuma abasoda b'abaroma barazibira bongera barararira iyo mva.

Ico gihe rero, nta muntu n'umwe yashobora kwinjira canke gusohoka.

Iyo aba aha ariho inkuru yahereye, yari kuba ibaye inkuru mbi.

Ariko Imana yakoze
ikintu c'igitangaza.
Yesu ntiyagumye
mu bapfuye!

Mu gatondo ka kare
k'umusi wa mbere
w'indwi, bamwe
mu bigishwa
ba Yesu
basanga
ikibuye
catembagaye
kiva ku mva.

Igihe baravye
imbere mu mva,
Yesu ntiyari
akiri aho
mu mva.

Umugore umwe aguma aho hafi y'imva ariko ararira. Yesu aramwiyereka!

Uyo mugore aca ava aho yihuta yuzuye umunezero, aja kubwira abandi bigishwa.

"YESU NI MUZIMA!
YESU YAZUTSE
MU BAPFUYE!"

Bidatevye, Yesu aza ku bigishwa biwe, araheza abereka inkovu Ziwe z'imisumari mu biganza Vyiwe. Vyari ukuri. YESU YARI YASUBIYE KUBA MUZIMA!

Araharira Petero kubera kumwihakana, araheza abwira abigishwa Biwe kubwira abantu bose ivya Yesu. Hanyuma araheza Asubira mw'Ijuru aho yari yaje ava ku Musi wa pasika ya mbere.

Pasika Ya Mbere

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Matayo 26-28, Luka 22-24,
Yohana 13-21

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana
umuco, guha abatungu ubwenge."
Zaburi 119:130

Iherezo

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi: Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16